IOWA IGISATA C'AGATEKA KA ZINA MUNTU
IGISATA C'AMSHIRAHAMWE YO MU KIBANO

UMUGAMBI WO GUFASHA IMIRYANGO Y'AMIKORO MAKE MU VY'UMUYAGANKUBA

INGENE BITWARA BAKONGERA BAKUMVIRIZWA

Uwuhiganwa arashobora kwitwara mu gihe atashimye ivyavuyemwo, canke hari ibintu batamukoreye neza canke batakwirikije urutonde uko vyategerezwa kugenda ku bijanye n'ivyo basaba ngo umuntu abe yujuje kugira ngo ahiganwe, amafaranga bitwara kugira afashwe canke icokorwa. Umuntu yahiganywe afise imisi 30 kuva umusi baba bamwandikiye ko bamwemereye canke bamuhakaniye agaca yitwara mu kwandika akoresheje ubuhinga ngurukanabumenyi akitura uburongozi bw'ikigo catunganije ayo mahiganwa ari co LAA.

Mu gihe ikigo LAA kitemeje canke ngo gihakane ivyavuye mw'ihiganwa mu kiringo c'imisi 30 uhereye urya musi wiyandikisha, uwahiganywe aca afata ko atacavuyemwo. Uwuhiganwa arafise rero ikiringo c' imisi 30 kugira yo kwitwara.

Mu kuburana, uwuhiganwa (yitwaye) ategerezwa kwandika urwandiko ruriko ibirego akarwandikira ikigo LAA aho yiyandikishirije, hanyuma uwitwara akavuga muri iryo kete uko yipfuza vyari kugenda, canke ayandi makuru bari gushiramwo kugira bigende neza. Abitwaye batazi gusoma no kwandika barashobora gusaba ikigo LAA kikabibafashamwo bakabasomera, bakabandikira, canke mu kubumvisha ibirego, mu kubumviriza n'urutonde rw'uko ibintu bikwiye kugenda.

Ikigo LAA kirakorera kuvyo abitwaye basavye kandi kikamenyesha uwitwaye icavuyemwo mu kumwandikira batarengeje imisi indwi kuva aho ikete ryandikiwe (bagashirako n'ikimangu mu gihe biciye mu buhinga ngurukanabumenyi).

Iyo uwitwaye atanyuzwe n'inyishu bamuhaye, arashobora kandi kwandikira ikigo LAA mu misi itarenga 14 kuva aronse inyishu (agashirako ikimangu mu gihe ryaje mu buhinga ngurukanabumenyi) kandi agasaba ko mu kwumvirizwa yobifashwamwo na ca gisata kiraba ibikorwa vy'amashirahamwe yo mu kibano (DCAA). Uwitwara ategerezwa kubisigura neza biciye mu nyandiko akavuga neza igituma yitwariye ico kigo kandi agashiramwo ibintu vyose vyumvikana vyotuma bamutahura.

Ikigo LAA gica kimenyesha ivyo biirego vyose ca gisata DCAA hanyuma kumwumviriza bagaca babitegura mu misi 14 kuva igihe biba bisabiwe ko yokwumvirizwa.Uwitwara baramuha urwandiko rumubwira igihe azokwumvirizwa bivuye muri ca gisata kibijejwe. Urwo rwandiko ruba ruriko itariki, umwanya, n'igihe azokwumviririzwako. Bishoboka ko bumvirizwa kw'iterefone mu gihe abo bantu bose bavyumvikanyeko. Mu kwumvirizwa, ivyo wavuze vyose barabigusubiriramwo hanyuma bigaca bishikirizwa ikigo kikavyiga mu kiringo c'imisi 7.

Umukiriya arashobora kudashimishwa n'ingingo yafashwe n'ikigo DCAA akungururiza muri Iowa, igisata c'ubugenduzi kikaraba n' ivy'amatati (DIA). Umukiriya ategerezwa kwandikira ikigo DCAA urwandiko rw'uko yitwaye mu kiringo kitarenza imisi 7 (ugashirako ikimangu n' itariki ku barungitse ku buhinga ngurukanabumenyi) kuva aho bamumenyeshereje icavuyemwo. Ico gisata gica gikwirikiza uko imanza zicibwa nk'uko biri ku murongo wa 481 ikigabane ca 10 c'amategeko agenga ivy'intwaro mu mugambi Iowa.